Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°830 01 Nzero 2025

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

**IV. Ibimenyetso bitaremesha umwizero.**

11) Mu bimenyetso bidatanga umwizero, hariho ibifatiye ku kwemera kudashemeye kw'abakristu bamwe bamwe, hakaba n'ibifatiye ku ndinganizo y'intwaro, imibano n'ubutunzi mu gihugu.

Mu bifatiye ku kwemera kudashemeye, haraciboneka abakristu bafata minenerwe ivyobakomereza ukwemera, nk'ukutitaba

Soma ku Rup. 5


Foto: Ifoto yo mu bubiko

Abungere b'Ekleziya gatolika y'i Burundi

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

Nyenicubahiro, Evariste Ndayishimiye, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi yaraye ashikirije ijambo ryo gusozera umwaka w'2024, yipfuriza abarundi n'incuti z'uburundi umwaka mushasha mwiza wa 2025, ati:.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi,

1. Turiko turasozera umwaka w'2024. Twawutanguye neza, tubandanyana

Soma ku Rup. 4


Foto: Ifoto yo mu bubiko

## Ibirimwo

o Umwizero ntutetereza ....................5
o Umwenegihugu wese ahamagairirwa gucungera itunga ry'igihugu.......7
o Abakorerwa amabi afatiye ku gitsina bagiye gukingirwa bimwe biboneka....8
o Uburenganzira bw'ukwiregura....................10

# Idominika y'Ukumenyekana kw'Umukama Yezu Kristu: *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** Izaie : 60,1– 6

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaie :

(Ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze wese)

Yeruzalemu we, haguruka , tamanzura: umuco wawe waserutse, ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze. Nayo umwijima watwikiriye isi, umuzimiza wazimije ibihugu ; ariko weho Umukama yakugarukiye, ubuninahazwa bwiwe buhagaze hejuru yawe. Intara ziza zigana umuco wawe, abami na bo birukira izuba rirasiye iwawe.

Tereza amaso irya n'ino urabe : bose bakoranye kandi baje iwawe ; abahungu bawe baje bava kure, abigeme bawe na bo baje bareruwe. Niwabibona uzoheza unezerwa, agahimbare kakwuzure, kuko ivyiza biva hakurya y'ikiyaga bizosesekara iwawe, amatungo y'ibihugu azotaha iwawe.

Isinzi ry'ingamiya n'ibitwazi vya Mediyani na Efu bizokubita iwawe hazime. Abo muri Seba bose bazoba bazanye inzahabu n'isenga baninahaza Umukama.

**Igisomwa ca kabiri:** Abanyefezi: 3,2 -3a. 5-6

Ivyo dusoma mw'ibaruwa Umutumwa Paulo yandikiye Abanyefezi :

(*N'abapagani bemerewe gutorana hamwe natwe iragi ry'Umukama*)

Ncuti zanje :

Ngira ngo mwarumvise ingene Imana yanteye iteka kubera mwebwe, ikampishurira rya Banga rya Kristu ritamenyeshejwe abakera, nkuko ubu ryahishuriwe abatumwa n'abahanuzi biwe beranda muri Mutima.

Ubu n'abapagani bemerewe gutorana hwamwe nawte iragi ry'Umukama, ubu turi ingingo z'umubiri umwe, dusangiye umuhango umwe muri Kristu Yezu, kubera Inkuru nziza dusangiye.

## Inkuru nziza: -Matayo : 2, 1– 12

**Alleluya, Alleluya.**

- Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuzara, tuzanye n'amashikanwa, ngo dusenge Umukama.

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Matayo :

(*Tuvuye mu Buseruko ngo tuze gusenga Umwami yavutse*)

Aho Yezu yavukira i Betelehemu mu Buyudeha, ku ngoma y'Umwami Herodi, abamajusi bashitse i Yeruzalemu bavuye mu buseruko bw'izuba, bavuga bati: "Umwami w'abayahudi aheruka kuvuka ari hehe? Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuza kumusenga." Umwami Herodi avyumvise, bimutera akoba, we n'ab' i Yeruzalemu baso. Akoranya abakuru mu basaserdoti n'abigisha bose, ababaza iyo Kristu azovukira.

Nabo bamwishura bati: "N'i Betelehemu mu Buyudeha, kuko ari ho umuhanuzi yavuze aho yandika ati: Ewe Betelehemu ya Yuda, nturi muto mu miryango ya Bene-Yuda, kuko Umwami azorongora igihugu canje Israeli azova iwawe." Araheza Herodi yihereranya bano Bamajusi, baramufoborera neza ikiringo c'aho iyo nyenyeri yabonekera; arabagenekereza Betelehemu, ababwira ati: " Gende, mubaririkize neza ivy'uyo mwana; muramutse mumubonye, muntumeko, nanje ngende kumusenga." Bahejeje gukebukana n'umwami, barijura.

Ya nyenyeri bari babonye mu buseruko ibatanga imbere iragenda; ishitse hejuru y'aho nya mwana yar'ari, irahagarara. Ngo babone nya nyenyeri, barahimbarwa cane.

Binjiye mu nzu, bahasanga nya mwana na Mariya nyina wiwe, barpfukama, baramusenga. Baraheza bapfundurura ibikemenyi vyabo, bamushikanira inzahabu, isenga n'imira.

Ivyo biheze, baburirwa mu ndoto ngo ntibasubire guca kwa Herodi, baca bajana iyindi nzira, bitahira iwabo.

***Ndi Umunywanyi w'Ikinyamakuru «Ndongozi y'Uburundi».***

*Kuva ntangura kugisoma gushika uyu munsi, caranyubatse, caramfashije kugira akayabagu k'ukumenya no gusoma Ijambo ry'Imana nukumenya ngatahura ubuzima bw'Ekleziya Mawe wacu. Ubu ndashima cane kuko kiramfasha no kwigisha abandi Ijambo ry'Imana. Ndamira abo Imana yaciyeko ngo Ikinyamakuru kibeho, nibahezagire kandi ibakomeze. Munywanyi wa Ndongozi, soma iki kinyamakuru, n'ugishigikire, ugiterere, wakure abo bose banyotewe kumenya Ekleziya n'Ijambo ry'Imana, kuko Ijambo ry'Imana ni ubutunzi, ubwenge kandi ni ubwitonzi nyabwo.* ***(Abakolosi 3,16-16). Umukirisu wo muri Paruwase Mabanda***

***Tubifurije Umwaka mwiza mwese, Umwaka mwiza w'umwizero n'uwukumenya n'ukumenyesha Yezu Kristu***

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana, Epifaniya: Umwaka C



**"Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuza kumusenga."**

Bavukanyi dusangiye ukwemera, tubandanya twinovora akanamuneza k'ivuka twaaraya duhimbaje ry'akana Yezu, Umukiza wacu. Niduhimbarwe mu kumushikanira no kumwishikanako, , atubere umuco, tubone kwama turangura ineza mu buzima bwacu.

Uyu munsi turamutse duhimbaza umunsi mukuru wa Epifaniya y'Umukama. Epifaniya ni umunsi mukuru w'ukumenyekana kw'Umukama. Amenyekana nk'umwami.

Uyo Mwami ni Umukiza w'abantu bose. Aje ari umwami wa bose agaheta abandi bami. Abari ku ngoma bagahinda agashitsi kuko amakungu yose yaserutse akaza kumusenga n'ukumushikanira.

Uyo Mukiza akaba Uwuje gucungura abantu twagabanye mw'ijoro rya Noheli, ni Umwami yario yarabuwe ko azoza gukiza isi. Mbere n'ikibigaragaza ni anadi bami baciye gukubita ibipfukamiro imbere yiwe.

**"Umwami w'abayahudi aheruka kuvuka ari hehe?**

Abamajusi baje bavca mu buseruko bw'izuba, barabaririkiza neza aho uyo Mwami w'abami yavutse, ari. Baca baza bazanye n'ingemu z'ibintu vy'agaciro: imira, isenga inzahabu, ivyari bigenewe abami, baje kuninahaza Umukama, baramusenga.

Ivyo vyaratangaje Umwami herodi kuko ivyo yari yabatumye si vyo bakoze. We yari yababwiye ati: «Gende mubarirkize eza ivy'uyo mwana; muramutse mumubonye, muntumeko, nanje ngende kumusenga.» ariko turazi neza ko atashaka kumusenga, kuko, aho abamajusi basubiye iwabo badaciye kwa Herodi, yaciye utunganya isekeza ryo kwica inzoya zose z'i Betelehemu n'iz'aho yaba ,zose.

Ng'ivyo rero ivyabuwe kera bikarangukira muri Yezu Kristu yavutse.

**"Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuza kumusenga."**

Uyu munsi twigina ukumenyekana kwa Yezu ko ari Umwami, akamenywa mbere ubwa mbere n'abapagani kuko ubwami bwiwe butagira imbibe, kugira bigaragare ko urukiza rwiwe rudahariwe abanyisraeli bo nyene, ariko ko rwagenewe isi yose iyo iva ikagera. Umwami yatuvukiye i Betelehemu azokwirukirwa kandi asengwe na bose.

Nivyo Umuhanuzi Izaya atuyagira mugisomwa ca mbere, ati: « Yeruzalemu we, haguruka , tamanzura: umuco wawe waserutse, ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze. Nayo umwijima watwikiriye isi, umuzimiza wazimije ibihugu ; ariko weho Umukama yakugarukiye, ubuninahazwa bwiwe buhagaze hejuru yawe. Intara ziza zigana umuco wawe, abami na bo birukira izuba rirasiye iwawe. »

Epifaniya rero, ariko kumenyekana kw'akana Yezu katuvukiye, ni isasagara ry'umuco urasira ku bihugu vyose biri mu mwijima. Yezu yaje gukoraniriza ibihugu vyose mu gihugu kimwe rudende c'abana b'Imana, gutyo kigire Umwami umwe.

Yezu we Muco w'amakungu, aje kuboneshereza isi, aboneshereze abari mu mwijima w'inabi kugira bayivemwo, bakorere ahabona, batamanzure n'ibikorwa vyiza. « Haguruka , tamanzura: umuco wawe waserutse.»

Hguruka kuko Umwami Yezu :

-Yaje kuguhagararira ngo agutabare
-Yaje kukubohora wewe uboshwe
-Yaje guhumura wewe uhumye
-Yaje kugusubiza umunezero wewe wijiriwe
-Yaje kugusubiza ubuzima wewe wabutaye
-Yaje kuremesha wewe wihebuye
-Yaje ari Umwami w'abami, kanatsinda ubwami bwiwe ni ubwami bw'intahava.

Uguhimbaza uyu munsi mukuru rero, twakira ishaka ry'Imana kandi tukarondera kuyimenyesha abatarayimenya.

Paulo mweranda ati: "Ubu n'abapagani bemerewe gutorana hamwe natwe iragi ry'Umukama, ubu turi ingingo z'umubiri umwe, dusangiye umuhango umwe muri Kristu Yezu, kubera Inkuru nziza dusangiye.

Dusabe:

Mukama, wewe wamenyesheje amakungu amabanga y'Umwana wawe w'ikinege n'inyenyeri yabaje imbere, dukundire twebwe tumaze kumumenyeshwa n'ukwemera, uze utuyobore, udushikane aho tuzokwihweza ubuninahazwa bwiwe.

Amen!

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Murundi wese, gira ico ukoze ugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

*(Bitangurira ku rup. 1*

urugendo ata kuryagumbana, ata wandyawangura, none turiko turawuha agasaga kugira ngo twinjire mu wundi uwukoreye mu ngata. Nanje nka Sebarundi, ndabaramukije ndabipfuriza umwaka mwiza, uzobashikane heza mutigeze mushika mu mpande zose z'ubuzima.

2. Ndakeje abenegihugu bakora mu bisata vyose vy'ubuzima, bitanze batiziganya kugira igihugu kigume gitekanye kandi gihindura ishusho mu bijanye n'iterambere.

Ndakeje canecane abantu bose bahagurukiye igisata c'uburimyi, bigatuma umwaka urangira ata nzara twumva nk'uko vyahora mu myaka yahera.

3. Uyu mwaka turangije, waranzwe na vyinshi vyiza ; ari na vyo bigiye kutubera umutahe n'impamba y'urugendo tugiyemwo guhera mu mwaka buca utangura w'2025.

Uyu mwaka twawukuyemwo ivyigwa ku bibazo bitari bwigere bivugwa mu Burundi, na canecane ibibazo bijanye n'ubutunzi. Uretse ko twawukuyemwo isomo, twaranabifatiyeko kugira dukore umwimenyerezo mw'itunganya rishasha ry'igihugu, mu nzira idushikana mw'iterambere rirama kandi ridakumira.

None tuwuhejeje umuntu wese yamaze kwerevuka, abona iyo aja n'ico yokora, kiretse ibigaba bimwebimwe vyamenyereye kurya bitarushe.

4. Ni co gituma mfashe kano kanya kugira nkeze mwese Abarundi n'abanyamahanga baba mu Burundi, bafise ishaka ryo kwiteza imbere no guteza imbere igihugu. Mbere bimwe vyihariye, ndakeje urwaruka n'abakenyezi ku mwete n'ubwira mwerekanye mu bikorwa vy'iterambere.

Canecane, ndakeje urwaruka rwo mu gisagara kuko ubu rwaratahuye ko kubaho atari ukuba mu bibanza canke mu buzi bw'ibisata vy'igihugu, ahubwo ko kubaho, ari ugukora ibikorwa bigwiza umwimbu.

5. Uyu mwaka dutanguye w'2025, n'umwaka w'ifatiro n'intango yo gushira mu ngiro imbonakazoza y'igihugu cacu. Twawise « **Umwaka w'umunyamwete** », icivugo cawo na co kikaba ari iki ngo : « **Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'iha6ngiro ry'igihugu giteye imbere** ».

6. Muti igihugu giteye imbere kiba gifise ishusho imeze gute? Ni igihugu kirangwamwo ukwishira n'ukwizana, amahoro n'umutekano, ariko kandi abenegihugu bakaba baroraniwe, bakagira ivyo bafungura n'aho barara, bakagira amagara meza, ubwenge n'ubumenyi, igihugu na co kikagira ijunja n'ijambo mu makungu, gitunze kandi gitunganiwe.

Kugira ngo dushikire ico gihugu giteye imbere, cigaba kikigaburira, hasabwa ukwitanga kudasanzwe kandi hasabwa vyinshi :

7. Ica mbere, twese dutegerezwa guhinduka, ahari ubugaba hagasubira ubugabo, ibinebwe bigahindura ingendo, canke bigahindurwa;

8. Ikindi gisabwa kugira dushikire ubwo Burundi, ni ukucubakira ku Mategeko. Akagagazo, ukutumva n'ukutumvira, ukwitereka kw'isonga ry'ubutungane, ukurenganya ikibonanya uyu canke uriya ngo n'uko Imana yaguhaye ibi canke biriya, ivyo bitegerezwa kuziririzwa mu Burundi.

9. Kugira kandi dushike ku gihugu twipfuza, dutegerezwa gutunganya neza intwaro, ku buryo abatwara baba ari indongozi z'imboneza. Hariho itandukaniro hagati y'indongozi isanzwe n'indongozi y'imboneza.

Indongozi isanzwe iricara ikaja iyo bija gusa. Indongozi mwene iyo, yifata nk'umurezi w'umwana; amushira mu maboko gusa adashobora kumwonsa ngo umwana atere imbere.

Indongozi nk'iyo, usanga ari imperekeza gusa, nta co imarira igihugu kuko nk'uko biri mw'ijambo ry'Imana, Impumyi ntirongora iyindi, ahandi hoho bogwa mu kinogo bose. Ariko indongozi y'imboneza, ni iyereka abo itwara iyo iriko irabajana, ikabereka inzira bakurikira n'ibikorwa bategerezwa gukora. Aha rero, abenegihugu mutegerezwa kuhakanurira, canecane muri iki gihe co kwitegurira amatora. Mwirinde abadandanji b'ibinyoma, babiyezako uno musi kandi ari imburakimazi. Muragabe, muze mutore indongozi z'imboneza.

10. Ikindi kizodushikana ku Burundi twipfuza, ni ukuduza ubutunzi bw'igihugu. Aha na ho nyene munkundire ndahatebe cane : Nta kibabaje nk'ukumva umuntu yirigwa aridoga ngo ifaranga ryarataye agaciro, na we haheze umwaka ata n'ikintu na kimwe kigwiza umwimbu ahaye amaboko.

Ico kumenya cambere ni uko ifaranga urimenyera ku vyo washoye. Naho woronka amahera ataco washoye, ayo mahera ntaho aba ataniye n'ibipapuro ataco bivuze.

Ni co gituma imfashanyo ataco ifasha mw'iterambere. Iyo biba vyari uko, kuva aho Uburundi bwahereye bufashwa, buba bwarateye imbere. Ifaranga kugira umenye ko rifise agaciro, nturipimira kw'ifaranga ry'ikindi gihugu, uripimira ku vyo washoye mu bindi bihugu. Ifaranga kugira riduge, ni ugukora tukimbura, tukaronka ivyo dushora.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

(Bitangurira ku rup. 1

inyigisho n'ukudahimbaza amasakramentu. Hari abandi babangikanya ukwemera kwabo n'ibintazi, na ba ntambirakaje bahindagura amadini n'amashengero.

Mu bifatiye ku ndinganizo y'intwaro, imibano n'ubutunzi, nk'uko twabishikirije ku musi w'Imana ugira gatatu wa Pasika:

* haracibonekeza abafise agatima ko gukumirana,

* ukwikwegerako ubutegetsi bwose n'ukunyonyeza itunga ry'igihugu;

* hariho ukudahana n'ubutungane budatunganiriza bose nk'uko bikwiye;
* itangwa ry'akazi harabwe cane cane umwete wo gukorera umugambwe uri ku butegetsi canke ugutanga ibiturire, rimwe na rimwe bataravye n'ubushobozi;

* haracariho n'abantu banyuruzwa bakagenda amazimayongo;

* hari n'ubukene butera bwiyongera mu gihugu, ibiciro bikaguma biduga, abantu bamwe bamwe bakabura ivya nkenerwa;

* hari n'ukubura akazi bituma bamwe mu rwaruka bihebura kubera ukutabona kazoza keza;

* hakaba n'ingo zisambuka kubera ubukene; n'itituka ry'indero mu mashure ba n'ingaruka mbi zaryo n'ibindi.

N'aho ivyo vyose bibabaje, ntibiduce intege. Iyi Yubile nitubere nyabuna akaryo ko gukaburiranira ukwizigira kudutuma dukora kugira ngo tubitorere umuti canke tubirengere.

**V. Duhimbaze iyi Yubile turi abasangirarugendo kubw'ukwizigira.**

12) Kurya Yezu yatumwe na Se wiwe kumenyesha Inkuru nziza y'ubuzima (raba Yohani 20,21), no gusubiza umwizero abawutaye, agasamiriza umwaka mwiza w'ubuntu bw'Imana (raba Luka 4,19), ni ko na Ekleziya – Muryango ihamagariwe kuba ikimenyetso kimenyesha kandi kigashikiriza abantu umwizero utazeruka.

13) Muri iyo ntumbero, tubatumiriye mwese ubwa mbere guhimbaza iyi Yubile mwakira inyigisho zibakaburira ukwemera ko Kristu ari muzima kandi ko ku bwiwe dushoboye kubera Uburundi bwacu umunyu n'umuco, tugaterea ngo amabi abugoye atorerwe umuti.

Izo nyigisho mwozakirira mu migwi ikurikira:

- Ku rwego rw'igihugu hazotunganywa indwi y'ibiganiro-nyigisho bitumbereye gufasha gutorera umuti, mu muco w'ukwemera rukristu, bimwe muri ivyo bibangamiye umwizero.

- Ku rwego rwa diyoseze na ho, hazotunganywa inyigisho mu migwi izoba yategekanijwe n'Umwungere.

14) Muri iyo ntumbero kandi, tubatumiriye mwese ubwa kabiri, guhimbaza iyi Yubile mu kwitaba amakoraniro ya Liturjiya n'ingendo nyeranda bitegekanijwe:

- Ku rwego rw'igihug, Yubile y'imikangara y'Imana, Yubile y'abihebeyimana n'abanovisi, Yubile y'abasaserdoti n'abaseminari, Yubile y'abamenyesamana, Yubile y'abakristu balayike n'ingo n'imiryango, yubile y'urwaruka.

- Ku rwego rwa diyoseze na ho bizotunganywa n'Umwungere.

Izo ngendo nyeranda zizotubera akaryo ko gusenga no kunoganza inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yerekeye iyi Yubile.

**Ugusozera.**

15) Umuvyeyi wacu Papa, mu gusozera iyo nyigisho yiwe, agira ati: " Yubile twimirije, izoba umwaka urangwa n'umwizero udahera, kuko uzoba ari umwizero uri ku Mana.

Ese iyo Yubile yodufasha kurushirizaho kwizigiranira muri Ekleziya no mu mibano y'abantu, co kimwe no mu migenderanire mpuzamakungu mu kugwanira agateka ka zina muntu wese, tutibagiye gusonera ibidukikije".

Yubile tugabiwe n'Umukama nidufashe kwisubiza itoto mu kunagura ubunywanyi dufitaniye n'Umukama, n'urukundo rwa benewacu cane cane ba birenzwa amaso tubana kandi duhwanira mu nzira.

Umuvyeyi Bikira Mariya, We Nyina wa Jambo yigize umuntu akaza kudusubiza umwizero nyakuri, aduherekeze muri uyu mwaka wa Yubile.

*Vyahinduwe mu Kirundi n'igisata gishinzwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana*

---

***Haguruka Burundi, wihambirire ku Mukama Imana yawe, umenye ko yakugendeye, ikagukiza. N'ube igihugu c'Imana koko , na Yo ibe hagati yawe. Umuco warasiye iwawe uzokwira n'ahandi. « Ni nde ga Mukama adaha icubahiro n'ininahazwa izina ryawe? kuko ari wewe musa Mweranda, kuko amahanga yose azoza gukubita ibipfukamiro imbere yawe, kuko ya mateka yawe yuzuye ubutungane amenyekana». (Ivyahishuwe 15,4)***

## IGISABISHO CA YUBILE Y'IMYAKA 2025 Y'EKLEZIYA

*Dawe uri mw'ijuru / ukwemera waduhaye mu Mwana wawe Yezu Kristu / Umuvukanyi wacu n'urubeya rw'urukundo mu mitima yacu / ni bikabure muri twebwe / ukwizigira guhimbaye kw'umuzo w'Ubwami bwawe.*

*Ese inema yawe yoduhindura ababivyi ngirakamaro b'imbuto z'Inkuru Nziza / zo kwambira umuryango w'abantu n'isi yose / mu kurindirana umwizero ijuru rishasha n'isi nshasha / kuko ububasha bwa sekibi buzoba bwatsinzwe / ubuninahazwa bwawe bukabona kwigaragaza imyaka yose.*

*Ese inema ya Yubile yokabura muri twebwe turi ku rugendo kubw'ukwizigira / inyota yo guhurumbira ivyiza vy'ijuru / kandi igashungururira kw'isi yose akanyamuneza n'amahoro vy'umucunguzi wacu.*

*Ese Mana uhezagiye imyaka yose / woshimagizwa kandi ukaninahazwa / maze ishimagizwa n'ininahazwa vyawe bikamaho ubu no mu myaka n'imyaka. Amen*

**Papa Fransisko**

*Iki gisabisho cahinduwe mu kirundi n'igisata kijejwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi*

# Umwenegihugu wese ahamagarirwa gucungera itunga ry'igihugu

Nk'uko yama abigenza mu mpera z'umwaka, Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, Umukuru w'igihugu c'Uburundi, aratunganya ikiganiro n'abamenyeshamakuru n'abenegihugu.

Uyo mwaka rero wa 2024, nticabaye ikiganiro, cabaye ikiyago kugira ngo habe uguterera n'uguhanahana ivyiyumviro ku buzma bw'igihugu. aho hari hatmiwe rero abamenyeshamakuru, abenegihugu, abanyapolitike, abaserukira amadini n'amashengero mu Burundi, abaserukira amashirahamwe adaharanira ivya politike.

Ico kiyago cabereye ku kibuga c'umupira w'amaguru citiriwe Musengeri Scheppers mu Nyakabiga, mu gisagara ca Bujumbura, kw'igenekerezo rya 27 Kigarama 2024.

Ico kiyago cashimikiye ahanini ku gisata c'ubutunzi, na cane cane ku kibazo c'ikena ry'igitoro, ikena ry'amafaranga mva makungu.

Umukuru w'igihugu ati : « Bimwe mu bibazo vyugarije ubukene bw'igitoro n'uko ata poritike y'igitoro yigeze ihaba, kandi ko igihugu kitagira aho kibika igitoro n'ic'ukwezi kumwe. Kandi rero n'ukubimenya ko igihugu kirimwo abiyorobetsi benshi. Urwo rero ni urugamba rw'Abarundi bose, kuko umukuru w'igihugu ari wenyene ntiyobishobora». Yashikirije kandi ko n'igiturire kitazopfa kirwanijwe atari abenegihugu bakirwanije ».

Kubera ko mu kiyago haba uguhanahana ivyiyumviro n'intererano y'icokorwa, umukuru wa OLUCOM, ishirahamwe ryiyemeje kugwanya igiturire, Gervais Rufyiri, yaciye afata ijambo aratanga intererano yiwe ati : « Umurundi wese, umwenegihugu wese arahamagariwe gucungera ubutunzi bw'igihugu nk'uko Ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi ibivuga mu ngingo yaryo ya 69 igira iti :

«Amatungo y' igihugu ategerezwa gusonerwa no kwubahirizwa. Umuntu wese ategerezwa kuyitwararika n'ukuyakingira. Umurundi wese ategerezwa guhagararira amatungo y'igihugu.

Umuntu wese yononye itunga ry'igihugu, mukumenagura canke mu gusambura, mu kurya ibiturire, mu kunyuruza, mu gusesagura canke akoresheje ubundi buryo ubwo ari bwo bwose bw'ukwonona amatungo y'igihugu arahanwa hakurikijwe ibwirizwa.»

Kubera ko ikibazo c'ubutunzi kijana n'ukugwiza umwibu ngo amafaranga y'agaciro aboneke, umumenyeshemakuru yarabajije ikibazo cerekeye Ubutare buri mu Burundi, na cane cane ubutare buherutse kwuburwa i Murehe wa Kirundo, ai : « Hari isosiyete iherutse kuvuka yitwa SOTREVO Mining Company Reta iherutse kwemerera gucukura ubutare bw'i Murehe, Kubera iki SOTREVO Mining Company izoronka 80% y'amafaranga azova mw'icukurwa ry'ubutare, nayo Leta y'Uburundi ikaronka 20% gusa ? SOTREVO ifise uburambe bangana gute mu vyo gucukura ubutare ? Yoba yari imaze kubucukura hehe ?

Inyishu zatanzwe na Prezida Ndayishimiye afatanije n'umushikiranganji Ibrahim Uwizeye, mu vyo ajejwe harimwo ibijanye n'ubutare.

Ku bwa Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, ngo Reta yarifatiye ico kibazo mu minwe ari co gituma iriko igerageza kurondera amafaranga mva makungu iyakuye mu butare bugiye gucukurwa mu Burundi.

Kuri we rero ngo ayo mafaranga azoyakura mu gisata c'ubutare, ari na co gituma Reta yashizeho isosiyete yitwa SOTREVO Mining Company, nkuko vyemejwe n'Inama Nshikiranganji idasanzwe yo ku wa 23.12.2024.

Nk'uko bisigurwa n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubutare n'agataka, Ibrahim Uwizeye ngo igihugu cahora gisahurwa. Ngo ubutare bwarimbwa bugatwarwa gushorwa, mu nyuma bakagaruka kuvuga ko ataco bungutse, bahomvye. Ngo amategeko agenga ico gisata yarahindutse. Ni umwumvikano hagati y'igisata ca Reta n'abigenga. Abanje guca akagani k'impene umuntu afata akabaga (akayicinca), agashora ukuguru, ukuboko, akagura umunyu, agapilipili, akayiryako, hanyuma mu nyuma akaza kuvuga ko yahomvye.

Ibrahimu Uwizeye avuga ko imbere yo gutangura ibikorwa, SOTREVO izobanza gutanga 20% akabanza kuja mu kigega ca Reta, hanyuma 80% baze bayagabure mu nyuma, maze ishirahamwe rihomvye rize ryihombane ryo nyene .

Ibisigaye ni bo baca bimenya mu kuvyaza umusaruro ubwo butare, kandi ni bo bazokora ibikenewe bongere barihe amatagisi muri Reta.

Ku kijanye n'iduga ry'ibiciro aho umuntu wese yishingira ibiciro uko ashaka, umukuru w'igihugu yahaye iminsi 15 umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubudandaji Chantal Nijimbere gushinga ibiciro ntabanduka. Bikunze ngo babikore mu kiringo kitarenze iminsi 15.

Mu ntumbero yo gushika muri ya mbonakazoza y'2040-2060, Prezida Evariste Ndayishimiye yasavye abashikiranganji n'abo mu gisata bitegamiye ubushikiranganji ngo bihe iminsi ijana y'umwimenyerezo mu gutegura ivyo bazokorera abanyagihugu.

Inyuma yaho, umukuru w'igihugu azobagendera bamwereke ivyo bategekanya gukorera abanyagihugu.

Uwutazovyerekana, azoca afata ko ico gisata ataco kimariye abanyagihugu, kigombe gisamburwe. Umukuru w'igihugu yiyemereye kuzobikurikirana hafi, asanze ata kirakorwa, azoca akura abajejwe ico gisata kuko ntaho bazoba bariko barajana abanyagihugu muri ya mbonakazoza.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Abakorerwa amabi afatiye ku gitsina bagiye gukingirwa bimwe biboneka

Ku wa 17 Kigarama 2024 i Bujumbura, ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano n'iterambere ridakumira bufadikanije n'ibiro vy'umuhuzabikorwa wa ONU mu Burundi baratunganije inama mu ntumbero yo gutanguza icese igitabu gihurikiyemwo ingene kurwanya amabi afatiye kugitsina no gufasha abayakorewe no guhana abayakoze vyogenda.

Ico gitabu kije gutorera inyishu ibibazo nyamukuru vyahora vyibazwa mu gisata co gukinga no guhana ivyaha bifatiye ku gitsina: mbega gukinga amabi, gufasha abayakorewe no guhana abayakoze vyokorwa na nde ? vyokorwa gute ? hakenewe iki kugira ngo uwayakorewe ashobore kuronka ubufasha akeneye canke uwayakoze agahanwa bihagije mu ntumbero yo kurandurana n'imizi ayo mabi?

Donatienne Girukwishaka, umuyobozi mukuru yitaho umukenyezi n'iterambere ridakumira mu bushikiranganji bwo gushigikirana, imibano n'iterambere ridakumira avuga ko ico gitabu gihurikiyemwo ingene umuntu wese ategerezwa kugira ico akoze mu kurwanya amabi afatiye ku gitsina, ingene abikora n'aho abikorera n'ivyo ategerezwa gukora. Intumbero ni iyo kugira ngo bikorwe kumwe.

Nk'uko uwo muyobozi abivuga, igisata co kurwanya amabi afatiye ku gitsina ngo kiragutse cane kandi gisaba inguvu z'abantu benshi. Gihurikiyemwo ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano n'iterambere ridakumira, ubshikiranganji bw'amagara y'abantu, ubujejwe intwaro yo hagati mu gihugu, ubujejwe umutekano, indero n'ubundi.

Ati : « Turi kumwe rero n'abadufasha, amashirahamwe mpuzamakungu yegamiye ONU twafadikanije kugira ngo dutange umuti urama tubikore kumwe, twereke abenegihugu ingene bashobora gufasha uwakorewe amabi kugirango ashobore gusubirana agateka maze uwayakoze nawe ahanwe.

Ikindi bizofasha, iyo ngendo yo gukoresha igikoresho kimwe mu bushikiranginji bwose ngo izosubira kwegeranya abakorera muri ico gisata kuko bose bazoba bazoba bafise ikibahuje kimwe kandi bose bumveko hari ico bategrezwa gukorera abenegihugu, abo nabo bamenyeko hari ivyo bishuza indongozi zabo.

Tubamenyeshe ko Uburundi bubaye igihugu kigira gatatu muri Afrika gishoboye gushiraho igitabu kimwe gihurijweko na bose kirimwo ingendo xibereye n'ivyokorwa mu kurwanya amabi afatiye ku gitsina. Ivyo Uburundi bubikesha ababufata mu mugongo ataco badkora ngo bashigikire imigambi y'iterambere ku neza y'abenegihugu bose.

Mu bushikiranganji bwo gushigikirana, imibano n'iterambere ridakumira biteze gushika ku ntambwe ikomeye cane mugukinga ayo mabi mugufasha abayakorewe no muguhana vy'akarorero abayakoze.

Abarundi bose, cane cane indongozi bahamagariwe kumenya ibiri muri ico gitabu, kugira ngo bamenye ingene bashobora gufasha abanyagihgugu nabo bamenye aho bitura ngo batababarize ababo canke batababagwe mu gihe bokorerwa ayo mabi.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Ibiharuro bitanzwe n'abakorera mu gisata co guharura amahera mu Burundi ngo bizohora vyemerwa

Inyuma y'imyaka 23 habayeho urwego rw'abaharura amafranga mu Burundi (Ordre des Professionnels Comptables OPC), urwo rwego rwaraye rwinjiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu ry'abaharura amafranga (International Federation of Accountants IFAC).

Nkuko vyashikirijwe na Gahungu Frederic ku wa 9 Kigarama 2024 mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru, ngo OPC nk'ishirahamwe ry'abanyamwuga baharura amafranga mu Burundi ryarinjiye icese muri IFAC muri Munyonyo 2024.

Nk'uko uwo arongoye OPC abivuga, ngo kwemererwa kwinjira muri IFAC bizotuma ibikorwa vy'ubuhinga mu guharura amafranga bikozwe n'abarundi bahurikiye muri OPC vyemerwa ku rwego mpuzamakungu.

Abandanya amenyesha ko kwinjira muri urwo rwego bisigura ko ubuhinga bukoreshwa muvyo guharura amahera ngaha mu Burundi buhurijweko n'ubuhinga bukoreshwa n'abandi bahinga bo kw'isi yose mu bijanye no guharura amafranga.

Mwomenya ko gushika ubu, igihugu gikeneye ibikorwa bidasanzwe bisaba guharura amafranga ku buryo bwemewe, cahora cikora ku bahinga bo mu bindi bihugu kuko ibikozwe n'abarundi bitahora vyemerwa ku rwego mpuzamakungu.

Ivyo ni nk'ibijanye no gutegura imishara y'abakozi, ubuhinga bwo kujanisha ibikorwa vy'igihugu n'integuro y'amafranga, n'ibindi.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Reta yaraye igabanije urugero rw'amafranga izokoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa'2025

Ku wa Gatatu igenekerezo rya 18 Kigarama 2024 Inama y'Abashikiranganji yarakoranye, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito Ndayishimiye yarasubiyemwo urugero rw'amafaranga Reta itegekanya gukoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025.

Ivyo biri mu nteguro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n° 1/19 ryo ku wa 28 Ruheshi 2024 rishinga amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi, Nestor Ntahontuye.

Uyo mushikiranganji Nestor Ntahontuye yabanje kwibutsa ko itegurwa ry'iri bwirizwa risubiramwo urugero rw'amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025 rije ryisunga ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta aho ritegekanya ko urugero rw'amafaranga akoreshwa rushobora gusubirwamwo mu gihe hari ibigiye birahindagurika uburyo butegekanijwe ntibungane n'ubwinjiye mu kigega ca Reta.

Ije kandi mu ntumbero yo kwikubita agashi no gukurikiza ibisabwa mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

Iyi nteguro yatunganijwe kandi hisunzwe igitabu ntangantumbero mu bijanye n'ubutunzi bw'igihugu ku kiringo c'imyaka itatu, Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere hamwe n'imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.

Iyi nteguro ije kandi gushimangira ivyamaze gushikwako mw'ishirwa mu ngiro ry'impinduka ziri mw'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta rifatira ku bikorwa bitegekanijwe, n'umwimbu bizozana.

Iyi nteguro ije kandi kugira ngo ifashe mu gusuzuma ingene uburyo igihugu cegeranya bungana kugira ngo n'ivyitezwe kuranguranguRwa bibufatireko.

Muri iyi nteguro y'ibwirizwa risubiwemwo amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira 2025, ngo uburyo bwitezwe kwinjira mu kigega burenga gato Imiriyaridi 4.211, mu gihe mu ntango hari hitezwe ayarenga gato Imiriyaridi 4.626, ni ukuvuga ko azogabanuka ku rugero rwa 8,97%.

Muri iyi nteguro isubiwemwo, ayazokoreshwa arenga gato Imiriyaridi 4.711, mu gihe ayari ategekanijwe gukoreshwa mu ntango yarenga gato Imiriyaridi 5.075, niukuvuga ko azogabanuka ku rugero rwa 7,17%.

Igihengeri kirenga gato Imiriyaridi 500, mu gihe igihengeri co mu ntango carenga gato Imiriyaridi 449.

Ivyo biharuro vyose bikaba bishobora guhinduka gato kuko ihinyanyurwa ry'iyo nteguro y'amafaranga rikibandanya guca mu zindi nzego z'igihugu.

Mu ntumbero yo kwongereza uburyo bwinjira mu kigega ca Reta no kubukoresha neza, ingingo zimwezimwe zarahinyanyuwe izindi nshasha zirinjizwamwo, zikaba ahanini zijanye n'ibi bikurikira :

1° Kurwanya ubusuma mw'itozwa ry'amakori n'amatagisi ;

2° Kwagura ahatozwa amakori n'amatagisi ;

3° Gukingira amahinguriro yo ngaha mu gihugu ;
4° Kworohereza abazana imitahe mu gihugu ;

5° Gutegeka abenegihugu batagira amashirahamwe abavuza kugura agakarata ko kwivurizako;

6° Kurwanya ubusuma mw'itozwa rya tagisi nyongeragaciro;

7° Kurwanya uruhombo ruva ku bubeshi bwerekeye igiciro c'amazu agurishwa;

8° Gukurikirana neza ingene amafaranga ya Reta akoreshwa n'inzira bifata;

9° Kugabanya ingendo haba hanze y'igihugu canke mu gihugu hagati, hagakorwa izikenewe kandi zifise inyungu ntasubirizwa ku gihugu;

10° Gukoresha ububasha Reta ifise mu kwishuza ibirarane vy'amakori;

11° Kwubahiriza ikiranganminsi mw'itegurwa ry'amafaranga Reta ikoresha.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro yarayemeje, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :
1° Gutsimbataza umuco wo gukoresha neza amafaranga ya Reta ;

2° Kwiga ingene intererano Reta itanga mu burimyi yoshikira abayikeneye gusumba abandi;

3° Kwiga umukenyuro wotuma igisata c'ubutare giterera bimwe biboneka mu kigega c'Igihugu.

Tubamenyeshe ko ivyo vyashikirijwe mw'Itangazo n°16/2024 ry'inama y'Abashikiranganji yo ku wa gatatu igenekerezo rya 18 kigarama 2024, ryasomwe na Jérôme Niyonzima, Umunyamabanga mukuru akaba n'Umuvugizi wa Reta y'Uburundi. Hari kw'igenekerezo rya 19 Kigarama 2024, i Bujumbura.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uburenganzira bw'ukwiregura



Umuntu wese iyo yitwariwe arafise uburenganzira bwo kumvirizwa mu butungane kandi mu ntahe y'icese na sentare ibifitiye ububasha.

Uburenganzira bw'ukwiregura ni uburenganzira bugenda bubangabanganywe n'uburenganzira bwo kwitura sentare. Abantu bose barangana imbere y'amategeko, imbere ya sentare no mu nzego zose z'ubutungane.

Naho umuntu aba yafatanywe itonga, agumana uburenganzira bw'ukwiregura imbere ya sentare ibifitiye ububasha.

Uburenganzira bw'ukwiregura butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bw'ukwiregura butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye.

Tuja kwisunga ibiri :

* mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu,

* hamwe n'ibiri mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.***

Umuntu n'aho aba yikekwako icaha agumana uburenganzira bw'ukwiregura.

Bitegekanywa n'ingingo ya 11 ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika yagiriwe n'icaha mu rubanza ruciwe icese kandi yarekuriwe kwiregura uko bikwiye.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.***

Umuntu yagirizwa icaha arafise uburenganzira bwo kwiregura abicishije ku vyabona vyiwe vyumvirijwe.

Tubisanga mu ngingo ya 14 ivuga ko uwikekwako icaha afise uburenganzira bwo gusaba sentare ko ivyabona bimwagiriza n'ibimukurako icaha bibazwa kandi bikumvirizwa co kimwe.

***c) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.***

Umuntu yitwariwe arafise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza amufasha kwiregura.

Tubisanga mu ngingo y'7 mu gace kayo ka 2 kavuga ko uwikekwako icaha afise uburenganzira bw'ukwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira.

Arafise kandi uburenganzira bwo gucirirwa urubanza mu gihe gito kandi akumvirizwa mu ntahe y'icese ataho yegamiye.

***d) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.***

Si abakuze gusa bafise uburenganzira bwo kwiregura, n'abana bikekwako icaha barabufise.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 17 mu gace kayo ya 2 ku rudome c) iii) ivuga ko umwana yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo kuronka uwumufasha gutegura imburano n'ukwiregura ku vyo yagirizwa.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya burenganzira bw'ukwiregura. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira .**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

***a) Mw'Ibwirizwa Shingiro.***

Mu nzego zose z'ubutungane, uwufise ico yagirizwa arafise uburenganzira bw'ukwiregura.

Bitegekaninywa n'ingingo ya 38 ivuga ko "umuntu wese, mu rubanza rwa sentare canke rwo mu ntwaro, arafise uburenganzira bwo kwumviri-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw’ukwiregura

*(Bitangurira ku rup.10)*

zwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirirwa urubanza mu kiringo gikwiye, cumvikana”.

Ukwiregura kurubahirizwa ku muntu uwari we wese n’imbere za sentare zose.

Bitegekanijwe n’ingingo ya 39 mu duce twa 3 na 4 aho ivuga iti : “Uburenganzira bw’ukwiregura burubahirizwa imbere ya sentare zose.

Ntawushobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya sentare ibwirizwa ritegekanya”.

Umuntu n’aho aba yikekwako icaha arafise uburenganzira bw’ukwiregura.

Tubisanga mu ngi-ngo ya 40 aho ivuga ko “umuntu yagirijwe icaha afatwa nk’umwere gushika yagire icaha hakurikijwe amategeko mu ntahe y’icese kandi



yaronse uburyo bukwiye bw’ukwiregura”.

***b) Mu gitabu c’amategeko yerekeye ingene imanza z’ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n’ingene zicibwa.***

Mu manza z’ivyaha, uwukurikiranwa ategerezwa kurenguka ubwiwe akiregura ku vyo yagirizwa.

Bitegekanijwe n’ingingo ya 220 ivuga ko uwukurikiranwa ari we ategerezwa kurenguka ubwiwe mu ntahe y’icese.

Ariko rero iyo umuntu akurikiranwa ku caha gihanishwa igihano c’umunyororo utarenza imyaka ibiri, ashobora guserukirwa n’umushingwamanza yerekanye umutahe w’imvaho w’uwo aburanira canke agaserukirwa n’iyindi ntumwa yemewe n’umucamanza.

Uwiregura arafise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza amufasha kwiregura. Tubisanga mu ngingo ya 269 ivuga ko umushikirizamanza amenyesha uwagirizwa icaha ko afise uburenganzira bwo kwironderera umushingwamanza.

Ivyo abishira mu cegeranyo c’ivyashikirijwe n’uwagirizwa icaha kandi na we nyene ashirako umukono. Ariko uwagirizwa icaha ategerezwa kuba afise uwumuburanira mu gihe yikekwako icaha gihanishwa n’imiburiburi umunyororo w’imyaka mirongo ibiri.

Ukwiregura kuguma kwubahirijwe n’igihe umuntu yafatanywe itonga. Bitegekanijwe n’ingingo ya 271 ivuga ko amasura y’ivyaha bikomeye canke bisanzwe vy’uwafatanywe itonga ashobora kurengutswa hadakoreshejwe urwandiko kandi ategerezwa kwitaba.

Ubu burenganzira buguma bwubahirijwe no muri sentare y’iyungururizo iyo umuntu yafatanywe itonga.

Tubisanga mu ngingo ya 276 ivuga ko sentare yungururijemwo urubanza canke irusubirishijemwo ica iba irahagaritse izindi manza igaca urwo rubanza ubwo nyene imaze kwumviriza ababuranyi.

Uburenganzira bwo kwiregura buguma bwubahirijwe n’igihe uwikekwako icaha aba ari umwana. Ariko ntiyiregurira mu ntahe y’icese nk’abakuze.

Bitegekanijwe n’ingingo ya 296 ivuga ko umwana yikekwako icaha atumviririzwa mu ntahe y’icese co kimwe n’abantu bakuze. Urubanza rurimwo umwana rutegerezwa kuburanishwa mu mwiherero, agakurikiranwa n’igisata cabigenewe cegamiye sentare nkuru y’igihugu.

Abarekuriwe gukurikirana imburano ziwe ni abavyeyi, abantu bamureze mu gihe atarezwe n’abavyeyi biwe, umushingwamanza wiwe, amasura canke abaserukira amashirahamwe yishinze kwitaho ineza y’abana.

N’aho umwana yokwagirizwa icaha na sentare ya mbere, arafise uburenganzira bwo kwunguruza kandi naho nyene akarekurirwa kwiregura.

Tubisanga mu ngingo ya 299 ivuga ko abavyeyi b’umwana, umurezi wiwe, umushingwamanza wiwe canke uwo mwana nyene aribo bashobora kwungururiza urubanza rwacitse. Urubanza rw’umwana rwungururizwa muri sentare isubiramwo isasa mu gisata cayo kijejwe gucira imanza abana.

Iburanishwa ry’urubanza muri iyo sentare y’iyungururizo ritegerezwa gutunganywa nk’uko vyagenze mu gisata kijejwe gucira imanza abana ca sentare yaciye urubanza ku rugero rwa mbere.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bw’ukwiregura aba umwana canke uwukuze. Twabonye ko uburenganzira bw’ukwiregura bwubahirizwa imbere ya sentare zose.

Ntawushobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya sentare ibwirizwa ritegekanya. N’aho umuntu aba yafatanywe itonga, ukwiregura kuguma kwubahirijwe kandi n’amasura nayo akumvirizwa.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ukugurura umwaka wa Yubire i Vatikano



*Papa Fransisko ariko arugurura umuryango Mweranda*

Ku wa 24 Kigarama 2024, isaha imwe n'iminota cumi n'icenda y'umugoroba, i Vatikano, Nyenubweranda Papa Fransisiko, imbere yo guhereza inkuka ya misa y'igiteramo ca Noheri, yaruguruye umuryango mweranda w'isengero nkuru yitiriwe Umutumwa Petero.

Uwo mugirwa yawuranguye mu ntumbero yo kugurura icese Yubire y'imyaka 2025 y'Umucunguzi wacu Yezu Kristu, izohimbazwa gushika ku wa 6 Nzero 2026 ku civugo ngo : « **Umwizero ntutetereza** ».

**Ayo masabamana yagenze gute ?**

Umugirwa wo kugurura uwo muryango mweranda watanguriwe no kumviriza ijambo ry'Imana ryo mu Bwuzure bwa kera, ryabura umuzo w'Umucunguzi.

Inyuma y'ivyo bisomwa, hakurikiye ijambo ry'Imana dusanga mu Nkuru Nziza ya Matayo 1,18-25 ryasomwe muririmi rw'ikiratini.

Inyuma yiryo jambo ry'Imana hakurikiye agacerere kamaze nk'iminota 15. Ako gacerere kakurikiwe n'ukuririmba izaburi ya 22.

Papa Fransisiko yaciye avuga igisabisho c'inyinjizo. Giheze baca bongera gusoma ijambo ry'Imana dusanga kwa Yohani 10,7-18. Inyuma y'agacere gatoyi yaciye yegera urugi rw'isengero nkuru yitiriwe Petero mweranda, ahonda gatatu umuryango uca uruguruka. Inkengeri zaciye zivuga. Urugendo ruca ruratangura. Papa niwe yatanguye guca muri uwo muryango.

Hakurikiye abakorezi, inyuma y'abakorezi hakurikiye abantu 54 batowe mu bihugu bitandukanye ku migabane y'isi uko ari itanu baserukira igihugu c'Imana , hanyuma abakaradinali, Abepisikopi, abasaseredoti, abatumire bo mu yandi mashengero n'abanyacubahiro bo mu gihugu c'Ubutariyano.

Urwo rugendo rwaherekejwe n'indirimbo ya yubile 2025. Urugendo ruheze haciye haririmbwa ururirimbo rumenyesha Noheri. Hakurikiye urugendo rw'abana bazanye amashurwe n'ishusho y'umwana Yezu ipfutse. Umudiyakoni yaciye apfukura iyo shusho araheza arayosa ibimoga neza. Imigirwa y'inkuka y'imisa yaciye ibandanya n'ururirimbo rw'abamalayika.

Mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana, Papa Fransisiko yashimikiye ku mwizero twazaniwe n'ivuka rya Yezu Kristu. Ati : « Yezu yaje mu bantu kugira adukirurutse atujana kwa Data. Kubona Imana yemera kuza, mu mitima yacu nyabworo, biradutuma tugira umwizero, tukabona ko ukwizigira kutapfuye, ariko ari kuzima muri twebwe, kandi kudutwikiriye ubuzima ibihe vyose.
Dufatiye ku karorero k'abungere bagiye bihuta kuraba akana Yezu, abamalayika bamaze kubamenyesha iyo nkuru. Natwe turahamagariwe kwihuta turondera umwizero, kugira tuwusasagaze mu bantu benshi bawutakaje muri bino bihe turimwo».

Nyenubweranda Papa Fransisiko ahamagarira abakristu kutiyugaranira muri kamere kabo, kudatsimbatara mu bubegito n'ubunebwe. Akabasaba kugira umwete wo guhinduka. «Ukwizigira kw'abakristu, kudusaba kuba ingenzi zirondera ukuri, kuba abantu bindoto, indoto ziva ku Mana, indoto zitwereka kazoza keza, isi nziza irimwo amahoro n'ubutungane».

Kugira bishoboke, Papa aduhanura gufatira akarorero ku bungere. Umwizero baronse mw'ijoro rya Noheri wabatumye batsinda ubunebwe bagenda kuraba uwo mwana yavukiye ahantu habayabaye kandi bari bumvise ko ari umwana w'Imana yatuvukiye. Umwizero k'umukristu uherekezwa n'umutima w'impuhwe, no kwitwararika kuwushira mu bawutaye.

Nkuko ari icivugo c'iyi Yubire, iyo ngeso ndoramana ihamagarira abakristu gusubira kubura akanyamuneza ko guhura na Kristu. Ikaduhamagarira guhindura isi kugira iki gihe kibe vyukuri igihe ca Yubire, muri ino si yamaze guta ishusho, kubera ukwikwegerako. N'ibihugu biri mu bukene, aboro n'abanyororo bagire umwizero.

Ukugurura umwaka wa Yubire ni bizanire umukristu wese ingabirano n'ukwiyemeza gukwiragiza hose umwizero aho hose watakaye nk'akarorero mu boro, abarushe n' abapfungwa ».

Yaheraheje iyo nsiguro yongera kumenyesha abari ngaho ko uwo muryango mweranda ubugururiwe ngo buguruLire imitima yabo Yezu Kristu, ngo kumwe nawe akanyamuneza kamuze, ubuzima buhinduke kuko uwuri kumwe na Yezu umwizero ntutetereza.

*MSV M Gorith Ndikumana*